# Ingingo z'indero y'Umunyeshure

**Ibimenyeshejwe abanyeshure, abavyeyi n'abarezi.**

Mu mashure ya Reta y'i NSW uwo ari we wese ahamagarirwa kandi agerageza kwiga neza cane.

**Zino Ngingo zerekeye amashure yose ya reta i NSW. Yerekeye ibikorerwa kw'ishure vyose, haba mu kigo c'ishure no hanze yaco, hatibagiwe no ku mirongo ngurukanabumenyi, ku vyerekeye ingene abanyeshure bifata umwe wese na hagati yabo, mu bigisha, mu bakozi b'Ishure no mu kibano.**

Ndakwirikira ingingo mu buryo bwo **kwubaha, kwitwararika no kwiyubara**, no gukurikiza amategeko y'abigisha n'ayo abakozi.

---

## Ukwubaha uwo ari we wese

Ibi bisobanura kwisonera no gutahura ku buryo uwo ari we wese yumva ko atekaniwe kandi adakumiriwe.

**Nzo:**

- kwumviriza kandinzokuvugana urupfasoni
- Reka abandi babandanye ukwuiga kwabo
- kwubahiriza no kudakumira umuntu n'umwe kandi nzobafata co kimwe
- mfata neza ibidukikije vyacu vy'ishuri
- kwambara umwambaro w'ishure neza kandi ndabinezererewe.

---

## Kugira umwitwarariko

Ibi bisobanurwa kwiyubara mu ngiro ku buryo habaho ukworohereza abandi mu gihe co kwiga n'ukwumvikana na bose.

**Niyemeje:**

- kudasiba mw'ishure, gushika kw'ishure ku gihe, kuzana ivyo nkeneye, n'ukwigana umwete wose
- gukurikiza amategeko n'imigenzo kw'ishure no mw'isomero
- gukoresha ubuhinga mu bwitonzi kandi ku mvo zo kwiga
- gukora imyimenyerezo bampa, kugira umwete no gusaba gufashwa bikenewe
- gufasha abandi uko nshoboye
- kwigira ku makosha nkora no kugerageza gutera imbere.

## Gutekanirwa

Ibi bisobanurwa kwiyubara wewe ubwawe no gukingira abandi kugira ngo umwe wese atekanirwe kw'ishure ryacu.

**Niyemeje:**

- gukurikiza amategeko abigisha n'abakozi b'ishure bazompa
- kwubahiriza abandi aho bari, kutabavogera no kwubahiriza ivyabo
- kumenyesha no gutabaza igihe hagize uwubangamiwe canke mbonye uwuriko ararenganywa
- gutorera umuti amatati mu bwitonzi kandi ata karenganyo.

---

## Mu gukingira abandi, nzokwirinda:

- kurenganya abandi mfatiye ku ndemánwa yâbo canke ku biboneka nk'ivyodutandukanywa
- gukubita, gukomeretsa, gukânga, guhohotera canke kuzōmēra umuntu n'umwe, no kuri telephone, ibikoresho, imashini nyabwonko, imihora ngurukanabumenyi canke amahuriro y'ubuhinga
- kugendana ibigwanisho, ibiyovyabwenge, ibiboreza, amatabi y'ubuhinga n'ayasanzwe kw'ishure.

Ni nakora ivyo, abarongozi bazomfatira ingingo ku neza y'umutekano n'ukwiga vy'abandi. Hazojamwo n'ukwirukanwa.

Abigisha n'abarezi kw'ishure bamfasha kwiga, guhitamwo neza no gutekanirwa. Nzokurikiza amategeko, mfashe abandi, ndabubahirize, kandi ntange ivyiyumviro ngo ishure ryacu kibe ikibanza c'ubumenyi n'umutekano.

☐ Ndiyemeje kwubahiriza zino ngingo z'Indero igenga abanyeshure kandi ndemera kuzikurikiza nk'uko ziri.

Amazina y'Umuneshure: ..........................................................

☐ Jewe/ twebwe turemeje ko twabonye amategeko agenga abanyeshure kandi turemeje ikurikizwa ry'ingingo zose zanditswemwo.

Amazina y'Umuvyeyi/ y'umurezi: ..........................................................

Igikumu c'umuvyeyi/ c'umurezi: ..........................................................

## Ubufasha bw'umusobanuzi kuri Telephone

Ni waba ukeneye ayandi makuru, igore uhamagare umuyobozi w'ishure. Ni waba ukeneye umusobanuzi ngo agufashe mu vyo ukeneye, igore uhamagare kw'Ironderero ry'Abasobanuzi, kuri 131 450 usabe umusobanuzi w'ururimi rwawe.

Bwira umuhinga azokwakira inomero za telephone ugomba guhamagarako maze uwo muhinga azokuronsa umusobanuzi ngo agufashe mu kiyago cawe. Ntuzorihishwa kubwo ubwo bufasha.